# Ivyo abantu badafise uburaro bakenera bijanye n'amagara yabo.

Rusama 2024

Isuzuma ry'umwaka wa 2024 ryerekeye Amagara y'abantu muri iyi Reta ni incamake y'ivyo tuzi ku bijanye n'amagara n'ukubaho neza vy'abantu i Vermont. Iri tororokanywa ritoya ry' amakuru rirerekana ivyo basanze ku bikenewe ku magara n' uburambe bw' abantu baragira uburaro. Harimwo amakuru avuye mu yashobora kubonwa na bose hamwe no mu mahuriro y'ibiganiro n'ibiyago vyatanzwe n'abafatanyabikorwa bo mu karere hamwe n'abantu babifisemwo ubumenyi.

## Ivyagaragaye nyamukuru

- Vermont **igira 2 mu kugira** abantu batagira uburaro uharuye ufatiye ku muntu umwe umwe muri Amerika kandi habaye iduga rikomeye ry'abanyagihugu batagira uburaro mu myaka 4 iheze.
- Muri **2022 Vermont yarashoboye guha ubururaro abarenga** ibice 95 kw' ijana vy'abantu badafise aho baba, ikaba ari imwe mu ntara zitatu gusa zashoboye kubishikako.

**"...tahura ko tutari kugira ibibazo vyose vy' ikoreshwa ry' ibiyayuramutwe. Ntitwari kugira ibibazo vyose vy' ubugizi bwa nabi, ntitwari kugira ibi bibazo vy' ukubura uburaro...iyaba twari dufise Uburyo bubereye bw' ubuvuzi bwo mu mutwe.**

- Ihinduka ry' ibirere riguma rirushirizaho kwongereza ivyago vyo kubaho tutagira uburaro bubereye.
- **Abantu batari abazungu hamwe n**' abasangwabutaka baca mu bibazo vyo kubura uburaro ku rugero rwo hejuru ugereranije n' abandi banyagihugu bo muri Vermont.
- **Ubukene hamwe n**' ukubura uburaro butazimvye ni ibintu bibiri bihambaye bituma abantu bataguma baba ahantu hamwe.
- Kuva 2022 gushika **2023 harabonetse ubwiyongere** bwo kubura uburaro ku bice 36 kw' ijana mu miryango ifise abana.
- **Ibibazo bigoye, kutaronka amakuru vyoroshe kubijanye** n' ibikorwa bituma kuronka ubufasha bigorana.
- Ibibazo biguma bigaruka ku bana batagira uburaro harimwo:
  - Kutaronka vyoroshe **imfungurwa nziza** n'**ubuvuzi.**
  - Ukwigunga **hamwe** n' ihungabana ry' igihe kire **kire.**
  - Kuba mu bintu vyinshi bishobora **kugutera gukoresha ibiyayuramutwe.**
  - Guhagarika **amashure.**
  - Iyongerekana **ryo kubura uburaro n**' abantu bakuze.

**Ibikorwa vy' abatanga uburaro hamwe n' ivy' abakozi b' uburaro bakora ni ibintu bikomeye kandi kenshi bidahabwa agaciro bikwiriye.**

# Ivyo abantu badafise uburaro bakenera bijanye n'amagara yabo.

- **Gushikira ubuvuzi hamwe n**' ibiciro birushirizaho gutera ingorane z'amagara ku bantu badafise uburaro.
- Ibintu bituma ubuzima bw' abanya Vermont badafise aho baba butifashe neza:
  - Ingorane z' ibigumbagumba n' iz' **umubiri**:
  - Kudashobora **kubika imiti.**
  - Kuba mu bihe vy' **ikirere bikomeye birushirije.**
  - Kutaronka Ibifungurwa **bikwiriye, vy**' akamaro.

---

**Sinshaka imiti. Ndashobora kuronka imiti myiza cane kw' ibarabara atawe nciyeko. Ico nifuza n' ukumenya ikibazo mfise hama nkagitorera inyishu. Kandi ntibakwiye kuntuma niyumva ko ndi munsi y' abandi kubera ko mfise ikibazo c' ikoreshwa ry' ibiyayura mutwe.**

---

- Ubukene n' amahirwe make yo kubona uburaro **ni ibintu bikomeye** cane bituma abantu babura aho baba kandi bitera ukwongerekana kw' ibibazo bikomeye vy' amagara.
- **Ibibazo vy**' amagara yo mu mutwe n' ibibazo vy' ikoreshwa ry' ibiyayuramutwe biribonekeza cane hagati y' abantu badafise aho baba n' abafise umushahara uri munsi y' ama dollari 25,000 ku mwaka.

| Ingorane z'amagara : Abakuze bafise ubukene | Hamwe n' ubumuga | Hamwe n' indwara yo mwifatanirizo ry' amagufa. | Hamwe na Asima | Bigeze gusuzumwa Hamwe na Kanseri | ufise Indwara z' umutima n' imitsi itwara amaraso Indwara |
|---|---|---|---|---|---|
| Amerika Yose | Ibice 29 kw' ijana | Ibice 25 kw' ijana | Ibice 10 kw' ijana | Ibice 7 kw'ijana | Ibice 8 kw' ijana |
| Abantu bose b'i Vermont | Ibice 25 kw' ijana | Ibice 29 kw' ijana | Ibice 12 kw' ijana | Ibice 7 kw'ijana | Ibice 8 kw' ijana |
| **< Bahembwa ibihumbi 25 muri VT** | **Ibice 56 kw' ijana** | **Ibice 40 kw' ijana** | **Ibice 18 kw' ijana** | **Ibice 12 kw' ijana** | **Ibice 17 kw' ijana** |

---

**"Biragoye kubona abantu baje bagasubira inyuma ...bishobora kuba biruhije...kubona abantu mirongo itanu bama baza basubira inyuma n' ibibazo bimwe ...birashoboka ko hariho ikintu kibatera kugira ivyo bibazo incuro nyinshi. Hako ubasuzugura...Kumbure woshobora kugerageza kumenya ingene wobafasha kutaguma bagira ico kibazo nyene incuro nyinshi...**

---

*Dufatanije na:*

C4BHI

## Ivyo turabirako:

- Ubusumbasumbane mu bijanye n'amagara ku rwego rw'akarereIgisata c'Amagara y'Abantu ca Kaminuza ya Wisconsin. Ibikoresho birimwo:
  - Amatohoza n'Amakuru vyerekeye Amagara y'Abantu vy'Igisata c'Amagara y'Abantu VT Department of Health Population
  - Ishami ry'Amakuru yo mu Gisata c'Inyigisho hamwe n'ivyegeranyo
  - Igitabu kijamwo amakuru y'ivya Kanseri i Vermont
  - Ikigo c'i Vermont c'Amakuru Yerekeye Ivyaha
  - Gukurikiranira Hagufi Amakuru Yerekeye Amagara y'Abantu n'Ibidukikije mu Gisata c'Amagara y'Abantu c'i Vermont
  - Ibiro vy'i Vermont vy'umutekano w'amabarabara makuru ya Reta.
  - Ibijanye n'incanco i Vermont
- Ikigega c'amakuru CARES, Kaminuza y'i Missouri. Amakuru ava ahantu hatandukanye, harimwo:
  - Ibiro vya Rusansuma vya Reta Zunze Ubumwe za Amerika
  - Amatohoza Akorwa ku Bantu bo muri Amerika (ACS)
  - Ibigo Bijejwe Kurwanya no Gukinga Indwara (CDC)
  - Ubushikiranganji bw'Uburimyi n'Ubworozi muri Reta Zunze Ubumwe za Amerika (USDA)
  - Ubushikiranganji bwo kwiyunguruza
  - Ibiro bikuru vy'Iperereza vya Amerika
- Ubuhinga bwo Kugenzura Ibishobora Gutuma haba Ingorane ziva ku Nyifato (BRFSS 2021)
- Igihe abanya Vermont bamenyesheje ko bariko baca mu bihe vyo kubura uburaro muri 2022
- Amatohoza yerekeye Ibituma haba Ingorane zijanye n'Inyifato mu Miyabaga